Abapfuye bari hehe? (Igice ca 1)

Bishingiye ku kigabane ca 6 c'igitabu *Mu vy'ukuri Bibiliya yigisha iki?* Ico gitabu kiraboneka kuri jw.org.

INTUMBERO: Gusuzuma ivyo wemera n'igituma uvyemera, gusuzuma ivyo Bibiliya yigisha, be no kubona ukuntu wosigurira abandi ivyo wemera.

BITUGENDERA GUTE IYO DUPFUYE?

1 SUZUMA IVYO WEMERA

Wibaza ko abandi bokwishura gute ico kibazo?

Wewe wocishura gute?

Kubera iki wocishura gutyo?

www.jw.org © 2015 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

2 SUZUMA IVYO BIBILIYA YIGISHA

Iyo dupfuye tuba turetse kubaho.

(Raba ikigabane ca 6 c'igitabu *Ivyo Bibiliya yigisha,* ingingo ya 1-6)

Soma Umusiguzi 9:5, 10.

Iyo mirongo yerekana gute ko ata kintu kidapfa kiri muri twebwe?

Ni akarorero akahe wotanga kugira werekane ko iyo umuntu apfuye ata hantu na hamwe *aja* ahubwo ko gusa aba aretse kubaho?



Igihe urubeya ruzimye, nta hantu na hamwe *ruja,* rurakamangana gusa. Muri ubwo buryo nyene, mu gihe umuntu apfuye nta hantu na hamwe abandaniriza kuba, aba aretse gusa kubaho

www.jw.org © 2015 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

Umuntu apfuye aba ameze nk'uwuri mw'itiro rinini ata n'ukurota.

(Raba ikigabane ca 6 c'igitabu *Ivyo Bibiliya yigisha,* ingingo ya 7, 8.)

Soma Yohani 11:1-14.

Wibaza ko ari kubera iki Yezu yagereranije urupfu no kuruhukira mw'itiro?

Soma Ivyakozwe 7:60 na 1 Abakorinto 15:6.

Ni gute ibi vyanditswe vyerekana kandi ko urupfu rumeze nk'itiro?

Kubera iki ushima kuba uzi ukuntu bigenda iyo umuntu apfuye?

www.jw.org © 2015 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

3 SIGURA IVYO WEMERA

HAGIZE UWUKUBWIRA ATI: …

Iyo umuntu apfuye hariho ikintu kiri muri we kibandanya kubaho.

WOSHOBORA KUVUGA UTI: …

Amadini menshi arigisha ko ari ukwo biri. Ariko jewe siko nemera kubera ko …

_____

_____

Ni icanditswe ikihe wokwereka uwo muntu?

_____

Ufise mu bwenge ukuntu uwo muntu abona ibintu, womufasha gute kuzirikana kuri ico canditswe?

_____

HAGIZE UWUKUBWIRA ATI: …

Imana ihanira abanyakibi mu muriro udahera.

WOSHOBORA KUVUGA UTI: …

Ni ivy'ukuri ko Imana izohana abanyakibi. Ariko sinemera ko ibabaza abantu mu muriro udahera kubera ko …

_____

_____

Ni icanditswe ikihe wokwereka uwo muntu?

_____

Ufise mu bwenge ukuntu uwo muntu abona ibintu, womufasha gute kuzirikana kuri ico canditswe?

_____

www.jw.org © 2015 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania